Mbega ni ivy'ukuri Imana irankunda?



~ Richard A. Bennett ~

Mbega ni ivy'ukuri Imana irankunda?

Woba umaze gukekeranya ko umuntu kanaka afise ikibanza gihambaye kuri wewe ko yoba agukunda vy'ukuri? Mbega woba umaze kugerageza kwereka umuntu kanaka ko umukunda kandi uyo muntu atavyemera? Muri ubwo burorero bwose, urashobora kubona ko urukundo rw'ukuri rugaragarira mu bikorwa kurusha mu majambo.

Kubera ko ibikorwa bihambaye cane kurusha amajambo, Imana yagaragaje urukundo igukunda igihe Yesu yagupfira ku musaraba. Igihe utahura akamaro k'ivyo, ntuba ugikeneye izindi nsobanuro

kugira ngo zigufashe gutahura ko Imana igukunda vy'ukuri.

Igihe nari maze kwakira Yesu, narasomye inkuru y'umwana w'umuhungu yari umusoda hamwe n'uwundi musoda mugenziwe. Uwo muhungu yitwa Willie, yari afise imyaka 12, yari ashinzwe igikorwa co kuvuza inzamba kandi akabana mw'ihema rimwe n'abandi basoda indwi batubaha Imana. Umwe muri bo yitwa Bill. Yamara, Willie ntiyari ameze nka Bill, kuko yizera Umwami Yesu Kristo n'umutima wiwe wose. Imisi yose mw'ijoro yarapfukama ku gitanda ciwe agasenga akongera agasoma Bibiliya. Abo bandi basoda babibonye baramutwenga ndetse bakamutuka.

Umusi umwe umukuru w'ingabo yahamagaye abasoda bose. Hariho umusuma yari yivye mw'ihema Willie na Bill bararamwo. Mu kugerageza gufata ico gisuma, umukuru w'abasoda yavuze ati: "Ivyo nababwiye vyaciye inyuma y'amatwi. Mw'ijoro ryakeye wa musuma yasubiye kwiba. Uyu musi ngira nongere mpe amahirwe uyo musuma kugira ngo yivuge kandi yemere igihano ciwe nk'umugabo. N'atishikana, umusoda wese aca akubitwa ibimoko icumi ku mugongo yakuye ishati. Yamara ni hagira umwe muri mwebwe yemera guhanwa ico gihano kubwa mwese, abandi ntaco baba."

Inyuma y'agacerere gakomeye, Willie aca aja imbere avuga ati: "Nyakwubahwa, uvuze ko ni hagira uwemera igihano

wenyene, abandi urabareka. Nyakwubahwa, ni hahanwe jewe." N'ishavu ryinshi wa mukuru w'abasoda aravuga abwira abandi basoda ati: "Ni gute ico gisuma cemera hagahanwa umwana muto kandi ata kosa yakoze?" Na ho nyene bose baguma bahoze. Wa musoda mukuru avuga ati: "Reka rero murabe ingene uyu mwana abona amakuba mu guhanwa igihano c'uwundi muntu."

Kubera ko ativuguruza, wa mukuru w'ingabo ategeka ko bakura Willie ishati, hanyuma batangura kumukubita ibimoko mu buryo busesereza cane. Willie

yararavye kubera amahiri ariko arakubitwa. Buno nyene umubabaro urarenga Bill ntiyashobora kubandanya yihanganye, aca ava aho yari ahagaze avuga n'ijwi rirerire ati: "Gezaho! Ni jewe ndi igisuma. Reka abe ari jewe mpanwa" Willie, akenge kagarutse, yitegereza Bill maze avuga ati: "Nta co Bill, umukuru ntiyivuguruza. Igihano cawe cose ndacemeye." Kandi ni vyo yaracemanze!

Umwana Willie yarishwe n'ivyo bimoko. Yamara imbere y'uko acikana, Bill yamusanze aho yari aryamye ku mpfiro, arira cane maze aramubaza ati: "Willie, ni kubera iki wangiriye mu gishingo? Sinari ndabikwiriye." Willie yamwishuye mu majambo make ati: "Bill, nta ko ntagize nkubwira ingene

Imana igukunda, mugabo ukantwenga. Niyumviriye ko ninahanwa mu kibanza cawe bizogufasha gutahura ingene Yesu yagukunze igihe yagupfira ku musaraba kubera ivyaha vyawe." Imbere y'uko Willie acikana, Bill yaremeye agakiza Kristo umunyarukundo atanga ku buntu.

Ijuru ni ryo ryatanguye igikorwa co gukiza isi yazimiye biciye muri Kristo. Kandi ni Urukundo – urukundo Imana ikunda umwe wese muri twebwe – rwatumye Kristo akora igikorwa kigoye gutahura mu kwitanga no mu kwemera kubabazwa.

Kubera yuko Imana igukunda kandi ikaba izi ko icaha kizokwonona ubugingo bwawe, ntiguha ubutumire bwo kwihana; ahubwo iguha itegeko ryo kwihana:

“Ariko noneho igera [Imana] kw’abantu bose bari hose bihana” (Ivyakozwe n’Intumwa 17:30). Mw’ijambo ‘bose’ na wewe urimwo.

Imbere y’Imana yera, ukugororoka kwacu kwose kumeze nk’impuzu yanduye (Yesaya 64:6). Ariko ni watumbera Yesu, uca uronka inyota yo kuvavanura n’ibintu bidahimbara Imana mu buzima bwawe.

Igikuru ni uko wishura mu kwizera Yesu, ari we yavuze ati: *Ni jewe nzira, n’ukuri n’ubugingo; nta wushika kwa Data ntamujanye* (Yohana 14:6).

Urukundo rutagira akarimbi

Mu vyiyumviro vyawe, Reka ubu na ho wishire mu kibanza c’ababonye ukubabazwa kwa Yesu ku wa ‘Gatanu mutagatifu.’ Abantu bari hafi

y'Umusaraba barumiwe. Igihe rero bariko bararaba ibara ryari rihejeje kugwa, hariho itandukaniro rinini hagati y'abari babambwe.

Hirya no hino ya Yesu hari habambwe inkozi z'ikibi. Abo bantu bose babiri bari abatsindwa imbere y'abantu, kandi bose bari abanyamakosa imbere y'Imana Umuremyi wa bose. Igihano c'urupfu ni co basabirwa n'amategeko y'igihugu.

Yesu yari abambwe ku musaraba wiwe hagati y'abo bagabo babiri. Hariho itandukaniro hagati yiwe n'ivyo bisuma kuko Yesu ntiyatsinzwe n'urubanza kandi nta caha yagira haba imbere y'abantu n'imbere ya Se Yera. Ni vyo, *Imana yari muri Kristo* (2 Korinto 5:19) ija ku musaraba nk'*umwagazi w'intama utagira*

agasembga cank'ibara (1 Petero 1:19), **kandi urupfu rw'incungu rwa Kristo ku banyavyaha rwazanywe n'umutima 'Imana w'urukundo.**

Ivyo bisuma vyari bikwiye gupfa, yamara Umwami Yesu we ntiyari uwo gupfa. Igihe Yesu yariko aravugana n'abamurwanya, Yesu yashinze intahe ati: *Igituma Data ankunda, nuko ndekura ubugingo bganje, ngo mpeze nsubire kubgabira. Nta n'umwe abunyaka… mfise ububasha bgo kuburekura, mfise n'ububasha bgo gusubira kubgabira* (Yohana 10:17,18). Igihe na ho yariko arasobanurira abigishwa biwe ingene urukundo abafitiye ari runini, yavuze ati: *Nta wogira urukundo ruruta urw'uk'umuntu yigura abakunzi biwe* (Yohana 15:13).

N'inyuma y'ugupfa n'ukuzuka kw'Umwami Yesu, intumwa Paulo yabandanije avuga ati: *Umwe atigeze kumenya icaha, Imana yamuhinduye icaha kubgacu, kugira ngo muri we duhinduke ukugororoka kw'Imana* (2 Korinto 5:21). Inyuma y'ibinjana ukuri gutangaje kw'urupfu Kristo yapfuye mu gishingo cacu kwavuzwe muri aya majambo:

Uri ukugororoka kwanje,
Ni jewe nari icaha,
Wikoreye ivyari ivyanje
Maze umpa ivyari ivyawe,
Wacitse ico utari uri
Kugira ngo nanje mbe ico ntari ndi.

Isengesho ryanje ryo kwishura

Ewe Mana, sinigeze nkumenya canke ngo ngukunde. Ariko

ndagushimiye ko wamenye kandi ukankunda.

Ndi umunyavyaha, kandi jewe ubwanje nta co noshobora gukora ngo ndonke agakiza. Nje kuri wewe mu kwizera, Mwami Yesu, kandi ngusavye imbabazi! Ndatuye ko ndi umunyavyaha kandi ndihanye ivyaha vyanje. Mwami Yesu, ndagushimiye ko wampfiriye kandi ko wanyogeje ivyaha ukampa ubushobozi buzana ubugingo buri mu maraso yawe y'igiciro. Mu kwizera, ubugingo bwanje ndabushize mu maraso y'igiciro ngo abuzigame.

Mwami Yesu, ndakwingize uze mu mutima wanje, abe ari wewe uganza ukubaho kwanje.

Mwami Yesu, ndagushimiye ko kubwa Mpwemu wawe Yera maze

kuvuka ubwa kabiri. Ni igitangaza kuri jewe kumenya ko nahindutse umwana w'Imana kubera ubushobozi bw'ukuzuka kwawe kandi ko nzobana na we ibihe bidashira!

Ubu na ho genda ubwire incuti n'abagenzi ivyagushikiye. Wibuke ko Kristo ari muri wewe, kandi ni we nkomezi zose ukeneye kugira ngo ushobore kuvuga ivyiwe no kubaho ukora ivyo agomba.

Kuko ni waturisha akanwa yuko Yesu ar'Umwami, ukizera mu mutima yukw'Imana yamuzuye imukuye mu bapfuye, uzokizwa. Kuk'umutima ari wo umuntu yizeresha, akaronka ukugororoka: kand'akanwa akaba ari ko yaturisha, akaronka agakiza (Abaroma 10:9-10).

©Calvary Curriculum & Sergio Cariello

©**“Ukurondera Imana”**
www.ccim-media.com

Trans World Radio – BURUNDI
B.P 1140
BUJUMBURA – BURUNDI
Twr360.org